www.assemblee.bi
www.flickr.com/inamanshingamateka

Facebook: Inama nshingamateka
twitter:@nshingamateka

N° 21 Rusama 2018

INAMA NSHINGAMATEKA Y'UBURUNDI

INAMA NSHINGAMATEKA

Gisohoka rimwe mu kwezi

REPUBULIKA Y'UBURUNDI

UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA YIFADIKANIJE N'ABENEGIHUGU MU BIKORWA RUSANGI.

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka mw'ikoraniro kugira bagenzure ishirwa mu ngiro ry'imigambi ya Leta mu gice ca kabiri ry'umwaka w'2017

1) Ibisata bikukira Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu

Soma kurupapuro rwa 18

2) Ibisata vy'Ubutunzi n'Imibano biri mu minwe y'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu

Soma kurupapuro rwa 20

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize urugendo mu ntara ya Ruyigi

Soma kurupapuro rwa 22

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

Abashingamateka b' ikiringo ca 2015 -2020

Très Hon. Pascal Nyabenda
Umukuru w' Inama Nshingamateka
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Agathon Rwasa
Icegera ca mbere c' Umukuru w' Inama Nshingamateka
Ngozi- Hutu-MizeroY'Abarundi

Hon. Jocky Chantal Nkurunziza
Icegera ca kabiri c' Umukuru w' Inama Nshingamateka
Ruyigi-Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Gloriose AHISHAKIYE
Ngozi-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Asha KHALFAN
Kayanza -Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon .Fabien BANCIRYANINO
Bubanza - Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon. Adolphe BANYIKWA
Bujumbura - Hutu- Mizero y'Abarundi

Hon. Chantal BARAMPAMA
Bujumbura - Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Josélyne BARANYANKA
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Jacqueline BARANYIZIGIYE
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Evole P. BASHINGWA
Mairie - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Domitien BAVAKURE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Rémegie BAZIRAHOMPONYOYE
Muramvya - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Ildephonse BIGIRINDAVYI
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Jérôme BIKORIMANA
Bururi-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Simon BIZIMUNGU
Cibitoke - Hutu Mizero y'Abarundi

Hon. Pascal BIZUMUREMYI
Ruyigi - Hutu-Mizero y'Abarundi

Hon. Renate BUKURU
Ruyigi- Hutu-CNDD-FDD

Palais des Congrès de Kigobe
B.P 120 Bujumbura - Burundi Tél: (+257) 22 26 70 55 / (+257) 22 26 70 07

Hon. Spéciose CIMPAYE
Muramvya - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Angèle CIZA
Kirundo- Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon. Claver COYITUNGIYE
Karusi - Hutu-Mizero y'Abarundi

Hon. Fleurette DUKUNDANE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Léocadie GAFURERO
Bubanza-Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Séraphine GAKOBWA
Makamba - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Odette HABONIMANA
Rumonge - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Léopold HAKIZIMANA
Kayanza - Hutu-Mizero Y'Abarundi

Hon. Pascal HAKIZIMANA
Muyinga-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Godeberthe HATUNGIMANA
Rutana - Tutsi-Mizero Y'Abarundi

Hon. Vénant HATUNGIMANA
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Ferdinand HAVYARIMANA
Gitega - Tutsi-Mizero y'Abarundi

Hon. Juvénal HAVYARIMANA
Bubanza-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Mireille INABIGENDERA
Karusi - Tutsi-Mizero Y'Abarundi

Hon. Caritas IRAKOZE
Makamba - Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Lydia IRAKOZE
Mairie- Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Joséphine IRAMBONA
Karusi - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Georges KABANGO
Karusi - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Ange Denise KAMERE
Muyinga-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Denis KARERA
Gitega-HUTU CNDD-FDD

Hon. Amédée RUCARAGI
Gitega-HUTU- CNDD-FDD

Hon. Uziel KUBWIMANA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD

Hon. J. Claude KWIZERA
Mwaro -Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon. Pamphile MALAYIKA
Muyinga- Hutu-Mizero Y'Abarundi

Hon. Pascasie MANIRAKIZA
Ngozi-Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Térence MANIRAMBONA
Gitega - Hutu-Mizero
Y'Abarundi

Hon. Sauda MBONEKO
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Noé MBONIGABA
Ruyigi-Hutu-Mizero
Y'Abarundi

Hon. François MBONIHANKUYE
Karusi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Adolphe MBONIMPA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Gilbert MBONINYIBUKA
Makamba-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Amedée MISAGO
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD

Hon. François MPITABAVUMA
Muyinga - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Xavière MUHIMPUNDU
Karusi - Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Jean Bosco MUHUNGU
Rutana - Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Léonidas MUKESHIMANA
Rumonge-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Euphrasie MUTEZINKA
Kirundo-Tutsi
Mizero y'Abarundi

Hon. Lazare MVUYEKURE
Gitega-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Persille MWIDOGO
Ngozi-Tutsi
CNDD-FDD

Hon. Claude NAHAYO
Ngozi-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Immaculée NAHAYO
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Gélase NDABIRABE
Kayanza-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Zénon NDARUVUKANYE
Bujumbura - HUTU
CNDD-FDD

Hon. Canesius NDAYIMANISHA
Kayanza - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Juvenal NDAYIRAGIJE
Rutana - Hutu
CNDD-FDD

Hon. Bernard NDAYISENGA
Mairie - Hutu-Mizero
Y'Abarundi

Hon. Emmanuel NDAYISHIMIYE
Bururi - Hutu-Mizero y'Abarundi

Hon. André NDAYIZAMBA
Bururi-Tutsi
UPRONA

Hon. Gloriose NDAYIZEYE
Gitega- Hutu
CNDD-FDD

Hon. Angele NDIHOKUBWAYO
Bururi - Tutsi
CNDD-FDD

Hon. P.Célestin NDIKUMANA
Bujumbura-Hutu-Mizero Y'Abarundi

Hon. Gilbert NDUWAYO
Makamba-Hutu
CNDD-FDD

Hon. Dévote NDUWIMANA
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Déogratias NDUWIMANA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Rénovat NDUWUMWAMI
Makamba - Hutu-Mizero Y'Abarundi

Hon. Anglebert NGENDABANKA
Cankuzo - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Egide NGERAGEZE
Ruyigi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Ladislas NINDEREYE
Muramvya - Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon. Gloriose NIMENYA
Rumonge-Tutsi
UPRONA

Hon. Godelieve NININAHAZWE
Mwaro - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Felix NIRAGIRA
Ngozi- Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Justin NIYOBUHUNGIRO
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Justine NIYONGABO
Cankuzo - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Lewis NIYONGABO
Mairie - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Gloriose NIYONSENGA
Kirundo - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Constantin NIYONZIMA
Ngozi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Salvator NIYUKURI
Rutana-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Emmanuel NKUNZIMANA
Bujumbura - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Claude NKUNZIMANA
Ruyigi- Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Olive NKUNZIMANA
Ngozi -Tutsi- Mizero y'Abarundi

Hon. Georges NSHIMIRIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD

Hon. M. Chantal NSHIMIRIMANA
Ngozi- Twa

Hon. M. Jeanne NTAGAHORAHO
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Apolinaire NTAHIMPERA
Muramvya- Hutu-CNDD-FDD

Hon. Hilaire NTAHOMVUKIYE
Kayanza - Tutsi CNDD-FDD

Hon. Adolphe NTAHONDEREYE
Mairie - Twa

Hon. Aloys NTAKIRUTIMANA
Cibitoke-Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Obed NTAKIYIRUTA
Rumonge - Hutu-Mizero Y'Abarundi

Hon. Emmanuel NTEZUKOBAGIRA
Bururi - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Ruth NTIBASHARWA
Cibitoke - Hutu-CNDD-FDD


Hon. Gaudence NTIRANDEKURA
Mwaro - Tutsi-Mizero Y'Abarundi

Hon. Gabriel NTISEZERANA
Bubanza-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Adrien NYANDWI
Kayanza - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Claire NYANDWI
Makamba - Tutsi-Mizero Y'Abarundi

Hon. Nestor NZEYIMANA
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Zaïnabu NZEYIMANA
Gitega - Hutu-CNDD-FDD

Hon. Séraphine NZEYIMANA
Rumonge - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Révérien NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD

Hon. J. Baptiste NZIGAMASABO
Kirundo-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Consolate NZIGAMISONI
Cibitoke - Tutsi-Mizero Y'Abarundi

Hon. Benigne RURAHINDA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD

Hon. James SAMAGORWA
Cibitoke-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Eric SINDAYIGAYA
Mairie-Hutu-CNDD-FDD

Hon. Sylvestre SINDAYIHEBURA
Gitega - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. J. Pierre SINZINKAYO
Bujumbura-Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Vincent SUKUNOBA
Gitega - Twa

Hon. Ildephonse TURIMUMUGABO
Muyinga -Hutu-CNDD-FDD

Hon. Anicet TUYAGA
Mwaro - hutu-CNDD-FDD

Hon. Ibrahim UWIZEYE
Muyinga - Tutsi-CNDD-FDD

Hon. Léocadie YAMUREMYE
Kirundo - Tutsi-CNDD-FDD

IVYARANGUWE N'UMUKURU W'INAMA NSHINGAMATEKA

Umukuru w'Inama Nshingamateka yifadikanije n'abenegihugu bo ku murwa mukuru w'Intara ya Bubanza mu bikorwa rusangi

Tugiye hamwe mu budasa bwacu, dushobora gukora imigambi minini. Ivyo nivyo Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yashikirije abenegihgu inyuma y'ibikorwa bakoreye ku kibuga c'umupira w'amaguru ca kijambere kiri ku murwa mukuru w'Intara ya Bubanza; hari kw'igenekerezo rya 14 ndamukiza umwaka wa 2018.

Muri ivyo bikorwa bavanga isima n'urucekeri vyo kwubaka inkingi zo hasi z'ico kibuga c'umupira w'amaguru. Abashingamateka n'Abakenguzamateka, Umushikiranganji w'amasoko ntanganguvu Côme Manirakiza hamwe n'izindi mvukira z'iyo ntara bari bitavye ivyo bikorwa.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse ku vyaranguwe bikuru bikuru muriyo ntara mu myaka iheze. Murivyo harimwo amavuriro mato, ibitaro, ikigega co kuguranana, amashure, amashengero n'ibindi vyose vyubatswe mu bikorwa rusangi.

Mw'ijambo ryo kubakira, Musitanteri wa Komine Bubanza yavuze ko umutekano ari wose co kimwe n'umwimbu avugako ushimishije. Yatanze akarorero k'umuceri ugurwa hagati y'amafaranga 1200 na 1300 ku kilo kimwe. Naho biruko yavuzeko imvura nyinshi imaze imisi igwa yononye ibintu vyinshi cokimwe n'urugomero rw'uruzi Kajeke rwataye inzira.

Bulamatari w'Intara ya Bubanza nawe, Tharcisse Niyongabo, akaba ashimishwa n'ukwitanga kwa Nyakwubahwa Pascal NYABENDA Umukuru w'Inama Nshingamateka aho ariwe afata iyambere mu bikorwa vyo guteza imbere iyo ntara.

Yaragarutse kandi ku nyubako barimwo y'ikibuga ca kijambere c'umupira w'amaguru aho yashimiye Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ko yabahaye isima n'ivyuma. Yaciye amenyesha imvukira ko amahera asigaye kugira baheze kwubaka ibiro vy'intara yababa imiliyoni 50.

Mw'ijambo yashikirije abenegihugu bo ku murwa mukuru w'Intara ya Bubanza, Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yavuze ko ashimishwa n'intambwe bagezeko mu kwubaka ikibuga c'umupira w'amaguru ca kijambere. Yaciye asaba abenegihugu n'imvukira kubandanya bitanga mu gutanga intererano kugira ibikorwa bibandanye.

Ati inama y'imvukira rero ngo irakenewe kugira basubire kwegeranya uburyo bukenewe. Ku bijanye n'imvura nyinshi yagiye

irasambura ibiraro, Nyakubahwa Pascal NYABENDA yasavye abenegihugu n'abajejwe intwaro ko babisanura vyihuta. Ati mugihe twimirije ibihe bihambaye vy'amatora y'Ibwirizwa Shingiro, ivyo biraro bizofasha kugira bashikane ibikoresho hose kandi n'abigisha bashikire abenegihugu. Umukuru w'Inama Nshingamateka yababwiye ko bokoresha ibiti mu kurindira ibiraro vyiza bizubakwa.

Agarutse ku kwiyamamariza Ibwirizwa Shingiro, Umukuru w'Inama Nshingamateka yasavye abenegihugu kubika neza udupapuro biyandikishirijeko hamwe no kwima amatwi ababahamagarira kutazokwitaba amatora.

Ati kandi mu bihe nk'ibi vy'amatora haba ibihuha vyinshi cane cane biciye ku buhinga ngurukana bumenyi. Ati ivyo vyose ntakubiha agaciro.

Ariko kandi Nyakubahwa Pascal NYABENDA yahanuye abenegihugu kwitaho umutekano gusumba uko bahora, cane cane mu gihe hegereje amatora. Ati mugume murikanuye cane cane aho Uburundi buhana urubibe na Republika iharanira Demokrasi ya Kongo uciye ku Ruzi Rusizi, aho abahungabanya umutekano bashobora guca.

Inyuma y'umutaga, Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragiye kuraba ihiganwa ry'intambo ryabereye kw'ishure ry'imyuga i Bubanza ETP.

Hari hitavye abanyeshure bo mugisagara ca Bujumbura, intara ya Bujumbura, Bubanza, Gitega na Ruyigi.

Florine MUKESHIMANA

Ibikorwa rusangi, soko ry'iterambere rirama

Kw'igenekerezo rya 28 Ndamukiza Umwaka wa 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu bo mu karere ka Gihungwe Komine Gihanga Intara ya Bubanza mu bikorwa rusangi. Muri ivyo bikorwa, bavanga isima n'urucekeri vyasaswa hasi mu birasi vyo kw'ishure shingiro ry'i Gihungwe.

Mw'ijambo ry'ikaze, Musitanteri wa Komine Gihanga yamenyesheje ko imvura iherutse kugwa muri iyo komine yononye imirima n'inzu. Musitanteri wa Komine Gihanga yaragarutse ku gitero c'abantu bitwaje ibirwanisho ku musozi wa Kagwema aho abantu babiri bitavye Imana abandi barakomereka. Yaciye amenyesha ko mu kurwanya izo nkozi z'ikibi, abajejwe intwaro n'umutekano mu Ntara ya Bubanza bafashe

ingingo; ko atabiyunguruza inyuma y'isaha zibiri z'ijoro.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA mw'ijambo ryiwe yarashimikiye ku bijanye no kubungabunga amahoro n'umutekano muriyo komine isanzwe ihana urubibe na Republika Iharanira Demokrasi ya Kongo. Ati bivanye n'uko twegereje amatora y'Ibwirizwa Shingiro, bisaba ko mugwiza inguvu hanyuma mushengeze uwo ariwe wese ashaka guhungabanya amahoro n'umutekano. Yaciye abamenyesha ko ari naco gituma yaje kugarukira ku miryango iherutse kubura abayo bivuye ku gitero c'abagizi ba nabi ku mutumba wa Kagwema.

Ati ibi nshimye kubikora imbere y'imyiyamamazo y'Ibwirizwa Shingiro. Ku bijanye n'iryo Bwirizwa Shingiro nyene ryo kuwa 17 Rusama umwaka wa 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko hari ibikenewe kugira umuntu yemererwe kuja gutora. Ubwa mbere, ngo nukubika neza udupapuro biyandikishirijeko. Ikindi ngo ni ukuja gutora amakarata y'itora mu maguru masha bisunze ikirangamisi catanzwe n'Umugwi w'Igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora. Hanyuma ku musi w'itora naho, yabasavye kuzinduka gutora kuko ari igikorwa c'iteka ku mwenegihugu.

Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse kandi ku buremere bw'Ibwirizwa Shingiro ugereranije n'ayandi mategeko. Ati Ibwirizwa Shingiro niryo ayandi mabwirizwa yose akomoka ko. Ati kandi muzoje gutora kuko gusubirwamwo kw'Ibwirizwa Shingiro ni mwe mwabisavye kugira rijane n'ibihe tugezemwo. Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yarakeje abarongozi ba Komine Gihanga kuko bakora bivuye inyuma mu guteza imbere iyo komine. Ati komine Gihanga iratera iteka intara ya Bubanza kuko yama iza mu zambere mu gihe co kwihweza izakoze neza. Ku bijanye n'ibikorwa rusangi navyo, Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko ashimishwa n'uko abanegihugu bategereye akamaro kavyo. Ati ubwa mbere, bamwe bavuga ko arivy'Umugambwe CNDD-FDD. Ati ariko ubu, mwarategereye ko ibiva murivyo bikorwa, bifitiye akamaro abenegihugu bose.

Inyuma y'ivyo bikorwa rusangi, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaciye aja kugarukira ku miryango 150 yabuze aho yarabashiriye agakemanyi.

Florine MUKESHIMANA

Umukuru w'Inama Nshingamateka yuguruye icese ibiro vy'Umukuru w'Umutumba wa Buramata

Kw'igenekerezo rya 28 avril 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yaruguruye icese ibiro vy'Umukuru w'Umutumba wa Buramata muri kigwati ca mbere Komine Gihanga Intara ya Bubanza. Ivyo biro vyubatswe n'abenegihugu bikaba bifise ahazokorera umukuru w'umutumba ahandi hakazokorera ivyegera vyiwe.

Mw'ijambo ry'ikaze, Bulamatari w'Intara ya Bubanza yavuze ko Umutumba wa Buramata ariwo ubaye uwambere mu ntara yose kuba wahejeje gushiraho iyo nyubakwa. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA mw'ijambo ryiwe yamenyesheje ko kwubaka aho abakuru b'imitumba bakorera biri mu ntumbero ya Leta. Ati iyi nyubakwa izofasha abenegihugu mu kumenya aho basanga Umukuru w'umutumba. Yateye akamo abenegihugu kubungabunga iyo nyubakwa.

Ku bijanye n'amatora y'Ibwirizwa Shingiro yegereje, yabasavye kubika ahadata udupapuro

biyandikishirije ko hanyuma bazoje gotora amakarata y'itora yoyo abaha uburenganzira bwo kuja gutora. Ati iryo Bwirizwa Shingiro ryahinduwe kuko abenegihugu babisavye kuko atawoshiraho amategeko ari kubiri n'ugushaka kw'abenegihugu.

Ati ntimuze mutege amatwi ababahenda ahubwo muzobashengeze kugira bahanwe hisunzwe amategeko. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabasavye kandi guteramira umutekano cane cane muri ki gihe himirije amatora.

Imbere yo kuja kwugururura iyo ngoro, Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA akaba yabanje guca mu mirima yiwe y'umuceri iri ku musozi wa Rugunga Komine Gihanga Intara ya Bubanza.

Florine MUKESHIMANA

Umukuru w'Inama Nshingamateka yararanguriye ibikorwa rusangi ku Muzinda.

Ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 26 rusama 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka Pascal NYABENDA yarifadikanije n'abenegihugu ba zone Muzinda, komine Rugazi provensi Bubanza mu bikorwa vy'iterambere rusangi. Ivyo bikorwa bikaba vyabereye ahariko harubakwa ishure ry'akarorero ry'abigeme, ivyo bikorwa bikaba vyari ivyo gukora béton yo kwubaka inkingi z'ibiro vy'abarezi. Iryo shure rikaba ari ishure ry'indaro ririko rirubakwa n'uwikorera utwiwe. Iryo shure rikaba rizokwakira abigeme gusa bahejeje igice ca mbere c'ishure nshingiro, bakaba bazokwiga ivyerekeye guhingura imfungurwa.

Bulamatari w'intara ya Bubanza Tharcisse NIYONGABO, yamenyesheje ko iryo shure ririko rirubakwa mu kibanza kingana n'i hegitari indwi zatanzwe n'intara hakaba kandi hazokwubakwa ibibuga y'umupira; hari n'umugambi wo kuzohubaka na kaminuza. Yarashimiye Umukuru w'Igihugu ku ntererano yabahaye y'amabati 1000.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarashimiye abenegihugu bo ku Muzinda ku kungene bitaho ibikorwa rusangi, ati naho iri shure ririko ryubakwa n'uwikorera utwiwe, mwaje muri benshi kumushigikira. Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yarahagaze cane ku ndero y'abigeme aho yasavye abarezi kuzokurikirana neza abanyeshure bazokwiga kuri iryo shure, abasore nabo bo ku Muzinda abasaba kwirinda kubahubisha no kubahenda. Ati iri shure ni iterambere rikomeye ku ntara ya Bubanza no kuri komine ya Rugazi.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragarutse kandi kw'itora ry'ibwirizwa shingiro rihinyanyuye ryari

riherutse kuba mu Burundi, akaba yarakeje abarundi kubona iryo

tora ryabaye mu mutekano ntangere, cane cane ko uburyo bwo kuritunganya bwavuye mu Barundi nyene, ata mfashanyo yo hanze. Ati ico n'ico kwishimira cane. Ariko, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yaraneguye igitigiri kinini cabonetse c'amajwi y'impfagusa akaba yavuze ko mu nyuma hazoba ukwigisha bikwiye kw'ingene batora canke izindi ngingo zifatwe kugira ngo ntihagire umwenegihugu ijwi ryiwe risubira kuba impfagusa kandi aba yaje ashaka gutora. Akaba yarasavye abenegihugu gusonera iryo Bwirizwa Shingiro baheruka kwitorera.

Mu kurangiza, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA akaba yasavye abenegihugu bo ku Muzinda kwama bafatanye mu nda bagateza imbere zone yabo, aca abasaba kwama bateramiye amahoro n'umutekano.

Iryo shure rikaba rizotangura kwakira abanyeshure ba mbere kuva mu kwezi kw'icenda 2018.

Arlette AKIMANA

Ibikorwa vy'iterambere rusangi ku kibuga c'inkino c'i Muramvya.

Amakoperative y'abenegihugu niwo mushinge w'iterambere, nk'uko vyashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka mw'ijambo ryiwe ryo ku munsi wa gatandatu, igenekerezo rya 21 Ndamukiza 2018, ayagira abenegihugu bo mu ntara ya Muramvya.

Mu vy' ukuri, Nyakwubahwa Pascal NYABENDA yari ahejeje kurangura ibikorwa vy'iterambere rusangi ku kibuga c'inkino kiri ku murwa mukuru w'intara ya Muramvya. Ivyo bikorwa vyari kandi vyitabiriwe ku bwinshi n'abakozi bo mw'ishirahamwe ry'umuhora w'amatelefone Econet Leo. Ikindi naco, ivyo bikorwa vyari mu migwi myinshi: Mu gihe bamwe baba bariko baraharura ikibuga, abandi nabo baba bariko bakora ibeto, haba hari umurongo muremure w'abahanahana iyo beto iri mu tudobo bayerekeza mu cumba co kwihinduriramwo kiriko kirubakwa, abandi nabo baseha amatafari bayajana mu bwugamo, ubona ko amabati yaguruwe n'igihuhusi c'imvura muri 2012.

Umukuru w'Inama

Nshingamateka yashikirije ubwo butumwa, yitsa ijambo ry'Umuhanuzi mukuru wa Buramatari; Ali HASSAN niwe nyene aramutswa ivy' imfatakibanza iyo ntara ya Muramvya, ubona ko imaze ikiringo c'amezi 6 itagira Buramatari bwegu. Ali HASSAN rero yarashimye umwimbu w'agatasi wabaye mwiza cane, aca yizera ko no lu mpeshi bizoba uko nyene. Yamara, ngo imvura isigaye igwa ari nyinshi yaratwaye imirima yongera isitura amazu, gurtyo haca hibonekeza abatagira aho bakika umusaya.

Kubwa Nyakubahwa Pascal NYABENDA, imvura ahubwo ni umuhezagiro. Ati kandi umwimbu mwiza wotegerezwa kugendana n'uduhinguriro duto

duto. Utu natwo ngo twibonekeza iyo abenegihugu bagiye hamwe bagashinga amakoperative. Yahanuye ariko ko ayo makoperative yoba ay' ubwoko bwinshi. Yaribukije kandi ko Ibwirizwa rigenga ayo mashirahamwe y'amakoperative riza ryarashizwe ko umukono na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, inyuma yukwemezwa n'Abashingamateka n'Abakenguzamateka. Igisigaye ngo ni uko ababijejwe bohimiriza abenegihugu bakamenya ibiri muri iryo bwirizwa.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarakebuye kandi abenegihugu kubika neza udupapuro biyandikisheje ko. Yaribukije kandi ko ako gapapuro kirukirwa na benshi; ngo mbere hari n'abakagura amafaranga. Ikindi naco, ngo ni ako gapapuro nyene gatanga uburenganzira bwo kuronka ikarata y'amatora. Vyongeye, Kwemeza canke guhakana impinyanyuro z'Ibwirizwa Nshingiro bizoba umunsi umwe gusa, kw'igenekerezo rya 17 Rusama 2018. Ivyo ngo birahushanye n'ivyabaye mu gihe c'ukwiyandikisha, aho ico gikorwa cafashe indwi zibiri. Yabahamagariye kandi ko umunsi warwo, bozinduka agaturuturu gutora, mu ntumbero yo kwitabirira utundi dukorwa.

Yigana Ishirahamwe Econet Leo ryaterereye imifuko 100 y'isima, Umukuru w'Inama Nshingamateka yaremeye gushikana mu ndwi ikurikira umuganda w'imifuko 50 y'isima.

Tubibutse ko Umukuru w'Inama Nshingamateka yari yateye iteka; ku munsi wa gatanu igenekerezo rya 20 Ndamukiza 2018 kuri Stade Ingoma yo ku murwa mukuru wa Gitega; ihiganwa rya CECAFA ryimikangara y'abana batarakwiza imyaka 17 y'amavuko; iryo higanwa ririko ribera i Burundi, guhera kuwa 14 kugera kuwa 28 Ndamukiza 2018.

Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarorereye rero urukino rwahuje umugwi w'igihugu, Intamba mu Rugamba n'umurwi wo mu gihugu ca Etiyopiya. Urukino rwarangira ku ntsinzi y' Intamba mu Rugamba, y'igitsindo kimwe ku busa.

Christine NAHIMANA

Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yarahaye umubonano Umushikiranganji wo gufashanya w'igihugu ca Egiputa n'ayandi makungu,

Ku muhingamo wo kuri uyu wa kabiri igenekerezo rya 17 Ndamukiza 2018 Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano Umushikiranganji wo gufashanya hagati y'Uburundi n'ayandi makungu w'igihugu ca Egiputa Nyakubahwa Sameh SHOUKRY. Urwo rugendo rukaba rwari rufise intumbero yo gutsimbataza imigenderanire muvyo gufashanya hagati y'Uburundi na Egiputa.

Muri uwo mubonano abo bategetsi babiri baraganiriye n'ibijanye n'ingorane yitunganywa n'ikoreshwa ry'amazi ry'uruzi Nil hagati y'ibihugu biyafiseko uburenganzira. Nkuko uruzi Nil

rufise isoko ryarwo mu Burundi Egiputa yarije gusaba Uburundi ko bwobashigikira mu ntumbero yo gutorera inyishu irama izo ngorane. Umushikiranganji wo gufashanya wa Egiputa n'ayandi makungu akaba yarasavye kandi ko Uburundi bwoshigikira ukwitoza kwa Egiputa mu matora y'Umukuru w'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ya Afrika izoba mu kwezi kuza.

Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yamenyesheje ko Uburundi burajwe ishinga no kurwanya iterabwoba akaba ari naco gituma Uburundi bwarungitse abasirikare mu gihugu ca Somaliya aho rero hakaba hakenewe ibikoresho vyotuma barwanya iryo terabwoba. Bagasaba rero igihugu ca Egiputa gufasha mu kuronsa ibikoresho kugira ico gikorwa kigende neza. Nkuko imigenderanire isanzwe yifashe

neza hagati y'Uburundi na Egiputa Umushikiranganji w'imigenderanire ya Egiputa yarifuje ko hobaho intumwa z'Abarundi bo kwishikira mu gihugu ca Egiputa kugira bahanahane ivyiyumviro bongere batsimbataze iyo migendereranire isanzwe ihari hagati yayo manama Shingamateka na Nkenguzamateka.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yarahaye umubonano Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyafrika.

Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyafrika mu rugendo yagize mu Burundi kuva kw'igenekerezo rya 24 Ndamukiza umwaka wa 2018 yarakiriwe n'Abagize Ibiro vy'Inama Nshingamateka kw'igenekerezo rya 25 Ndamukiza umwaka wa 2018. Nyakubahwa Roger NKODO DANG avuka mu gihugu ca Cameroun. Yamenyesheje ko intumbero y'urwo rugendo ari gusaba Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi kugira bize bimushigikire mu Nama Nshingamateka Nyafrika kuko yashaka kwitoza. Umukuru w'Inama Shingamateka akaba yaboneye ho no ku mubwira ukungene igihugu cifashe mu bijanye n'amahoro n'umutekeno. Nkuko vyamenyeshejwe n'Umuvugizi w'Inama Nshingamateka Alexis Badian NDAYIHIMBAZE, Umukuru w'Inama Nshingamateka ngo yamenyesheje ko amahoro n'umutekano bikwiye mu gihugu cose. Yaravuze kandi aho imyiteguro igeze mu bijanye n'amatora ahindura Ibwirizwa Shingiro yo kw'igenekerezo rya 17

Rusama Umwaka wa 2018. Nyakubahwa Roger NKODO DAN akaba nawe yavuze ko ivyo umuntu abona ku rubuga bitandukanye n'ibivugwa mu binyamakuru.

Ku bijanye n'uko Uburundi bwomushigikira kugira yitoze mu kurungora Inama Nshingamateka Nyafrika, Nyakubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka yavuze ko hataragera kuvuga uwo bazoshigikira kuko hariho ibindi bihugu nka Egypte na Zimbabwe vyasavye ko Uburundi bwobashigikira.

Christine NAHIMANA

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka zaritavye inama igira 138 y'Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi yose.

Kw'igenekerezo rya 25 ntwarante 2018, ibikorwa vy'ihuriro rigira 138 y'Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi yose niho vyugururwa icese na Nyakubahwa Gabriella Cuevac Barron umukuru w'ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi akaba yabanje gutanga icegeranyo kigira 201.

Muri iyo nama, Umunyamabanga mukuru w'iryo huriro nawe yaratanze icegeranyo c'ivyo yaranguye, Ku bijanye no kungana kw'ibitsina, yaramenyesheje ko Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka rishigikiye Abakenyezi mu guserukirwa mu nzego zifata ingingo. Iryo huriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi rikaba rirajwe ishinga n'agateka ka zina muntu, hamwe n'umurwi washizweho ujejwe kurwanya iterabwoba. Muri iyo nama icivugo cari « Gukomeza ibijanye n'Abimukira hamwe n'Impunzi : mugutora inyishu nyazo za politike zishingiye ku biboneka» ico nico cari icivugo catanzwe kugira, abaje baserukiye amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka, bashobore guhanahana ivyiyumviro bisunze ico civugo.

Nyakwubahwa Pascal Nyabenda, Umukuru w'Inama Nshingamateka akaba kandi ari nawe yararongoye intumwa zari muri iyo nama, yabanje gushimira abarongoye i huriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi; yo yatoye ico civugo.

Nyakubahwa Pascal Nyabenda yaramenyesheje abari aho ko imiliyoni 258 z'abantu hafi ibice 3,4% vy'abatuye isi, bataba mubihugu vyabo. Abo bakaba ari abimukira baba bagiye kurondera ubuzima bwiza, hamwe n'impunzi zahunze ugutotezwa, ukutumvikana canke ibindi bibabaje.

Yarongeye avuga ko mu kwezi kwa Nyakanga 2016, ku bihugu bigize ishirahamwe ONU ibihugu 193 baratoye bose hamwe atawuvuyemwo Itangazo ry'i New York ku bijanye n'impunzi hamwe n'abimukira mu gushira ivyo biyemeje mubihugu bigize uwo muryango, mu gushigikira hamwe no guteza imbere ibijanye no gukingira abimukira. Ayo mategeko yatumye haba ugutora

ayandi mategeko abiri y'amasezerano y'isi yo mu mwaka wa 2018: Amategeko agenga Impunzi kw'isi hamwe n'amasezerano ajanye n'abimukira.

Ku vyerekeye igihugu c'Uburundi, umukuru w'Inama Nshingamateka yaramenyesheje ko igihugu casizeho Politike y'igihugu y'abimukira. Imvo nyamukuru niyo gutuma igihugu c'Uburundi kironka umwanya ubereye kugira gishobore kwakira impunzi igihe kigereranye canke kirekire kugira bifashe igihugu c'Uburundi kuba gitekanye, gikwega ingezi, cakirana kandi cugururiwe bose, igihugu kikaba citayeho iterambere imibano n'ubutunzi birama.

Iyo politike ikaba ifasha incuti z'uburundi n'ibindi bihugu bivyipfuza biri mu bice vyose.

Yarongeye ati imbere yiyo politike, muri Mukakaro 1962, igihugu c'Uburundi carakiriye impunzi zabanyarwanda. Twarakiriye kandi impunzi zihunze intambara mu gihugu kibanyi ca Repubulika iharanira Demokarasi ya Congo. Hagati y'umwaka 2002 na 2013, Abakongomani bangana 62.854 barahunze bongera barashirwa mu makambi y'impunzi hagati mugihugu hamwe no mugisagara ca Bujumbura umurwa mukuru w'Uburundi.

Mu ntango z'umwaka wa 2018, impunzi 11.896 zaba Congomani zariko zirondera ubuhungiro kuko hari imirwano mu ntara y'ubumanuko bwa Kivu muri Repubulika iharanira Demokarasi ya Congo; bakaba bariko baratororokanwa.

Kuvyerekeye igihugu cacu c'Uburundi, yaravuze ku bijanye n'imigumuko yahavuye ivamwo itembagazwa ry'ubutegetsi ryaburijwemwo kw'igenekerezo rya 13 Rusama 2015, abarundi bamwe bamwe barahunze igihugu baja mu bihugu bibanyi nko mu Rwanda, muri Republika Iharanira Demokarasi ya Congo, muri Tanzaniya hamwe no mu Buganda, ariko benshi muribo bariko baragaruka mu Burundi.

Ku bijanye n'amategeko araba impunzi, ingingo ya 14 amategeko mpuzamakungu araba agateka ka zina muntu aremeza ko kuvyerekeye ihohoterwa, ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kurondera ubuhungiro kandi akaburonka mu bindi bihugu, bikavugwa ko « ubwo bubasha mugihe akurikiranwa ku vyaha vyo gukora ibitandukanye n'amategeko rusangi atandukanye n'intumbero y'ishirahamwe mpuzamakungu ONU.

Ku bwivyo rero abatembagaje ubutegetsi bakaba badafise uruhusha rwo kuronka ubuhungiro.

Uwarongoye intumwa z'Abarundi Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaramenyesheje ko amahoro n'umutekano biriko biragaruka mu gihugu, impunzi zirenga 200.000 zaramaze kugaruka ku bugombe bwabo mu gihugu c'amavukiro kuva mumwaka wa 2016. Kuva 25 Nzero gushika 8 Ruhuhuma 2018 twaharuye ingo zingana 1.561, hamwe nabamaze gutaha 5.292. Igihugu c'Uburundi, kimaze kuronka amahoro biciye ku makungu, Uburundi bwaragiye gutabara ibindi bihugu biri mu ngorane mu kugarukana amahoro barungitswe n'Ishirahamwe mpuzamakungu rya ONU hamwe n'Ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika. Yavuze kandi ko Leta y'Uburundi izobandanya irwanya

itera bwoba aho rizanana hose. Yaraneguye ukungene ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Buraya bwafatiye ibihano igihugu c'Uburundi ari mu guhana abenegihugu hamwe n'impunzi, ivyo bikaba bidafasha mu guhunguka kw'impunzi hamwe n'abimukira mu bihugu vyabo. Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi zisaba ko Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka hamwe n'Ishirahamwe Mpuzamakungu vyoshigikira Uburundi kugira Ubumwe bwa Buraya bukureho ibihano bidafashe vyafatiwe abenegihugu b'Abarundi.

Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi yaravuze kandi ku bijanye n'imyiteguro yamatora mu Burundi. Uburundi buriko buritegurira amatora yo muri 2020 hamwe namatora y'Ibwirizwa Shingiro izoba kw'igenekerezo rya 17 Rusama 2018, akaba ari uburenganzira ku murundi wese.

Yaramenyesheje ko hari ivyegeranyo vy'ibinyoma

vyandikwa ku gihugu cacu n'amashirahamwe ari mw'Ishirahamwe mpuzamakungu. Yaronkeye ho n' akaryo kugira yiyamirize ivyo vyegeranyo vy'ibinyoma kuko bishobora kubangamira umutekano w'igihugu gitekanye, abenegihugu bakaba baja ku mirimo yabo ya minsi yose. Twobamenyesha ko kuri uwo wa Mungu igenekerezo rya 25 Ntwarante 2018, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi ari kumwe n'Umutambukanyi wiwe barifadikanije n'abakristu bo mw'Ishengero Gatorika Basilique Notre Dame y'i Geneve mu gihugu c'Ubuswise, muguhimbaza umusi mukuru w'Ibisandasanda.

Richard Ndayisenga

Ihuriro ry'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka i Geneve : Umukuru w'Inama Nshingamateka yaratanze imibonano ku bategetsi batandukanye.

Umukuru w'Inama nshingamateka Nyakubahwa Pascal Nyabenda yarabonanye na mugenziwe, Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Turikiya muri iyo nama igira 138 y'ihuriro y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka. Mu vyo baganiriye hakaba harimwo ugukomeza imigenderanire yo gufashanya hagati y'izo Nama Nshingamateka. Muri iyo nama y'Ihuriro ry'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi Nyakwubahwa Pascal Nyabenda yarabonanye n'umurwi w'intumwa za Guinée-Bissau zirongowe n'umukuru w'Inama Nshingamateka w'ico gihugu akongera akaba umukuru w'ihuriro y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka ya Afrika Nyakubahwa Cipriano CASSAMA. Muri uwo mubonano wabo Nyakwubahwa Umukuru w'Inama Nshingamateka y'Uburundi Pascal Nyabenda akaba yarashimiye uwurongoye ihuriro y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka nya Afrika ko yashimye gutora Uburundi kugira bwakire Inama igira 72 y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka nya Afrika. Bakaba baravuganye kandi ku bijanye nitegurwa ry' iyo Nama izoba ku magenekerezo ya 22 na 23 Rusama 2018 i Bujumbura. Muri iyo nama y'ihuriro y'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka y'isi igira 138,

ryabaye kw'igenekerezo rya 26 Ruhuhuma 2018, abarongoye Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka bo mu karere ka Afrika y'Ubuseruko; barabonanye n'uwurongoye Inama Nshingamateka ya Afrika y'Ubuseruko. Mu biyago baganiriye kwari ukurabira hamwe imigenderanire iri hagati yayo Manama Nshingamateka na Nkenguzamateka ziri mw'ihuriro rimwe ry'Inama Nshingamateka ya Afrika y'Ubuseruko. Kw'igenekerezo rya 27 Ruhuhuma 2018 Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA yarabonanye n'Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Zambiya, bakaba barayaze ivyerekeye ugutsimbataza imigenderanire hagati y'izo nzego zabo barimwo . Umurwi w'Abashingamateka n'Abakenguzamateka Urongowe na Nyakubahwa Pascal NYABENDA bakaba bararonse akanya ko kubonana nabari baje muri iyo Nama.

Richard Ndayisenga

Umukuru w'Inama Nshingamateka yaritavye itora ry'Ibwirizwa Shingiro.

Ku musi wa kane igenekerezo rya 17 Rusama 2018, abarundi bazindukanye urubanza ruhambaye aho bari bahamagariwe kuja gutora Ibwirizwa Shingiro rihinyanyuye. Umukuru w'Inama Nshingamateka Nyakubahwa Pascal NYABENDA akaba nawe nyene yari yitavye ako kamo, akaba yatoreye muri komine Mpanda aho asanzwe avuka, ku biro vy'itora vyo kw'ishure ryisumbuye rya Musenyi. Ahejeje gutora, Nyakubahwa Pascal Nyabenda akaba yaciye amenyesha ko ahejeje kurangura igikorwa c'iteka kikaba ni igikorwa cerekana gukunda igihugu, ati iki ni igikorwa cerekana intambwe Uburundi bugezeko mu vyerekeye demokarasi hamwe no kwitunganiriza ivy'igihugu cabo. Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashimiye Imana Mushobora Vyose yo yashikanye abarundi kuri iryo sango kandi kubona ikirere cazindutse ari ciza bikaba vyatumye abarundi bazinduka kuja gutora. Akaba kandi yarakeje umugwi CENI wo watunganije iryo tora rikaba mu kiringo cari catanzwe.

Arlette AKIMANA

Abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barahaye umubonano intumwa zari zaserukiye ubu Suisse

Ku wa 26 ndamukiza 2018 abagize ibiro vy'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barahaye umubonano intumwa zari zaserukiye ugufashanya kw'ubuswisi. Baraganiriye ku bijanye n'imfashanyo ico gihugu gitanga mu bisata bitandukanye mu gutora amategeko arico gikorwa c'Abashingamateka n'Abakenguzamateka.

Uwari arongoye izo ntumwa yamenyesheje ko boshimikira mu kigabane co gufashanya, mw'iterambere, muvy'amagara y'abantu, mu gutwara neza, mu gutsimbataza amahoro no guharanira agateka ka zina muntu. Yamenyesheje ko baje kugira bayage n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi kugira ngo barabe aho ibikorwa vyakozwe bigeze. Yongeyeko ko ubu suisse bushigikiye amahugurwa afasha gutsimbataza ubushobozi bw'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka z'Uburundi mu kigabane co gukora n'ibijanye n'itegurwa ry'amategeko.

Yabandanije amenyesha ko baganiriye n'ibijanye n'ubuhinga; ko Inama nshingamateka na Nkenguzamateka zakarihirijwe ubwenge ku vyerekeye kwandika no gutegura amategeko, ko baje kwirabira koko ko abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka baronse izo nkarishabwenge. Ubugira kabiri yavuze ko baje kugirango bigire hamwe n'abagize Inama nshingamateka na Nkenguzamateka ku bizokorwa muri kazoza mu bijanye no gutsimbataza no gukarisha ubwenge no kwitaho ubuzima bw'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka hamwe n'ibindi bice vyo gufashanya.

Florine MUKESHIMANA

Gukomeza imigenderanire hagati ya Leta na Ekleziya.

Ekleziya irashobora kuba ihuriro ryo kugarukira kuri ba Ntahonikora, nk'uko vyifujwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, aho yerekanye ko umwe wese yozana ico afise, yaba ubwenge canke umwuga akora. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yashikirije ico ciyumviro ku munsi w'Imana, igenekerezo rya 8 ndamukiza 2018 mu nkuka y'imisa yari igenewe iyimikwa ry'Abadiyakoni babiri bo ku Kirimba ca Bikira Mariya kiri ku musozi wa Siyoni mu Gikungu, mw'ibanga ry'Abasaseredoti. Ni Musenyeri Evariste NGOYAGOYE arongoye Diyoseze nkuru ya Bujumbura yatiye mw'ibanga ry'Ubusaseredoti Umudiyakoni Léonce NTAKARUTIMANA avuka muri paruwasi ya Muramvya yo muri Diyoseze nkuru ya Bujumbura n'Umudiyakoni Christophe Paul RUGAMIKA ZIMALIRHWA akomoka muri paruwasi yitiriwe Umweranda Paulo yo muri Diyoseze ya Uvira mu gihugu ca RDC.

Umunsi w'Imana ugira kabiri inyuma y'ihimbazwa rya Pasika, witiriwe Ikigongwe c'Imana, nk'uko vyashikirijwe, mu nsiguro

na Musenyeri Evariste NGOYAGOYE, aho yibutsa ko ico ciyumviro catangujwe na Nyenubweranda Papa Yohani Paulo wa Kabiri yashinze uyo munsi mukuru muri 2000, nawe

nyene yari yisunze Umweranda Ogistino. Ati twari mu gicumuro c'inyanduruko , ngo ariko umusalaba n'izuka vya Yezu Kristu vyaradukijije, ati iyo niyo nsiguro y'Ikigongwe ceranda c'Imana. Musenyeri wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura ahamagarira rero gukurikiza iyo ngendo gushika aho Yezu azogarukira. Yarahumurije ko Mutima Mweranda adukomeza kandi akatwosha kwigenza nk'abana b'Imana. Yasiguye kandi ko Abakristu ba mbere bashize mu ngiro uyo munsi mukuru mu guhindura ingendo.

Ati barasangira ivyabo vyose, nk'uko tubisanga mu Gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa, mu gisomwa ca mbere. Uwundi mugwi w'abantu bagendera izuka rya Yezu Kristu ni abihebeye Imana nk'Abapatiri bo mu muryango w'Aba Schoenstatt. Kanatsinda, mw'ibaruwa ry'Umuhanuzi Yohani , mu gisomwa ca kabiri, riratanga ingendo y'abamaze kunyegerwa n'ukwemera.

Iyo rero niyo shusho yibonekeje uno munsi hano ku Kirimba ca Bikira Mariya co ku Musozi wa Siyoni nk'uko Musenyeri Evariste NGOYAGOYE yabishikirije, akamwemwe kamusya, aca asigura yuko mu bitavye ivyo birori, harimwo abasangwa b' Abarundi, abashitsi baje bava muri RDC, uri abavuye i Burayi canke Amerika.

Ati uyo mutima wo guhuza niwo duhimbaza uno munsi aho turamutse twatira mu mabanga y'Abapatiri, aba diakoni babiri.

Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yabandanije asigura ko inyuma y'izuka ry'iwe, yezu yarabonekeye incuro zitanu ku munsi umwe abantu batandukanye; aha twovuga nk'abakenyezi, abatumwa b'i Emmaus, na Simoni Petero Gurtyo, Yezu Kristu yaragaragaje yuko vyose vyarangiye. Igisigaye gusa, ni ugukwira amahanga kumenyesha isi yose ko ari muzima, ko yatsinze urupfu. Ubwo butumwa, ni bwo nyene abasaseredoti bajejwe. Musenyeri Evariste NGOYAGOYE yaciye aboneraho kwatira Abadiyakoni Léonce NTAKIRUTIMANA na Christophe Paul RUGAMIKA ZIHALIRHWA muri iryo banga ry'Ubusaseredoti.

Naho yakeje Ekleziya gatolika ku ntererano yayo mu vyerekeye iterambere ry'igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka yabakebuye kugwiza amashule y'imyuga. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yaripfuje kandi ko hoba ugupfashanya hagati y'imiryango y'Abakristu.

Kuri we, ukwemera kwategerezwa kubonekera mu bikorwa vy'urukundo. Ati biciye mu nama y'Abepisicopi, Ekleziya yokwihweza ubuzima Abakristu babayemwo, mu ntumbero yo kwubahimiriza gufashanya muri ubwo buryo buke nyene bafise.

Kuri ivyo, Umwungere wa Diyoseze nkuru ya Bujumbura yaramenyesheje ko uyo mugambi uza waribonekeje mu ma paruwasi amwe amwe nka Buterere, Kinama na Muramvya, intumbero ikaba ari iyo kuwukwiragiza mu gihugu.

Umukuru w'Inama Nshingamateka yipfuje kandi ko Ekleziya yoza iratunganya nk'inama kugira abanyepolitike badahuje ivyiyumviro baze barahura nk'intama zikikije uwungere wazo.

Ivyo birori vyasozererwe n'umugirwa wo gusangira urukanywa.

Christine NAHIMANA

Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka mw'ikoraniro kugira bagenzure ishirwa mu ngiro ry'imigambi ya Leta mu gice ca kabiri c'umwaka wa 2017

1) Ibisata bikukira Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu

Impamba yo gutekerera abakozi birukanywe mu mashirahamwe ategamiye Leta bita ONGE mu ncamake niyo ntambamyi yugarije ishirwa mu ngiro y'Integuro y'ibwirizwa rihindura Itegeko ry'Umukuru w'igihugu n°100/130 ryo kuwa 27 Ndamukiza 2015 ryerekeye Amasezerano rusangi agenga imigenderanire hagati ya Repuburika y'Uburundi n'Amashirahamwe ategamiye Leta (ONGE). Iyo niyo nsiguro yashikirijwe ku munsi wa kabiri, igenekerezo rya 10 Ndamukiza 2018 n'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu mu gihe Abashingamateka n'Abakenguzamateka bari mw'ikoraniro mu Nama Nshingamateka kugira bagenzure ishirwa mu ngiro ry'imigambi ya Leta mu bisata 8 bikukira urwego rw'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu.

Kubwa Nyakubahwa Gaston SINDIMWO, abakozi ba kera b'ayo mashirahamwe baramutse birukanwa, uburyo bwo kubatekerera bwoba bunini cane. Hagati aho, imishikirano

irabandanya hagati y'Ubushikiranganji bujejwe Intwaro yo hagati mu gihugu no kwigisha gukunda igihugu n'Ubushikiranganji bw'Imigenderanire no gufashanya n'ayandi makungu mu ntumbero yo gutorera umuti ico kibazo. Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu yaboneyeho gutanga intererano yiwe. Ati iryo bwirizwa ryokurikizwa mu bakozi bashasha. Tugihagaze nyene muri ico gisata c'amategeko, ikena ry'Ibwirizwa rigenga abahoze ku rugamba niryo nkwezi y'amarere, ivyo bigatuma abo bantu baguma bidoga. Vyongeye, abanyororo

bakatiwe imyaka 5 baramara mw'ibohero imyaka 7 canke 8 mu gihe abatari bake bikugura abanyororo benshi cane mu mabohero.

Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu asaba intererano y'umwe umwe wese kugira igitigiri c'abanyororo kigabanuke. Yarahanuye kandi abo ico kibazo kibakiye, ko bokwitura inzego zibijejwe. Ati iyo ngorane iribonekeza kandi no mu banyororo bamaze kurenza ica kane c'ikiringo bakatiwe. Ku vyerekeye amande y'ibihumbi 2.000 ku munsi asabwa abagendesha imiduga bagifise uruhusha rwa kera kandi ikiringo co kuronka urusha rugezwe ho rwagiye rurongerezwa akatari gake, Nyakubahwa Gaston SINDIMWO ntanegura iyo ngingo. Ahubwo yaraburiye ko inzira zisohoka ziva mu bisagara zizorihirwa. Ati ivyuma yo kuzibira mwene izo nzira bigiye gushingwa vuba. Yamara yarahumurije ko uyo mugirwa usanzwe ukoreshwa mu bindi bihugu.

Ikindi naco, ngo Leta irazirikana intambamyi zugarije amashule y'imyuga, nk'ubukene bw'ibikoresho n'ikena ry'abigisha. Mukwerekana ingene iyo ngingo y'ihutirwa, Nyakwubahwa Gaston SINDIMWO yashikirije ko intumbero yari iyo kugarukira ku banyeshule bayobewe muri ca kibazo ca Leta gitanga uburenganzira bwo gukurikira inyigisho z'inyuma y'ishule shingiro.

Ku bijanye n'intebe z'ubuserukizi bw'igihugu mu makungu zidafise ibikoresho bikwiye nk'imiduga canke inyubakwa mu gihe rimwe na rimwe amatongo aba yibonekeza, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu yarameneye inda ku rukumu; Ati ivyo bikorwa bisaba uburyo bwinshi cane ugereranije n'imigambi yihutirwa Leta iba yishinze. Yamara, ku vyerekeye imiduga, hoboneka inyishu. Ati ubuserukizi bw'igihugu bwosubiza imiduga ishaje, bakaronswa mishasha, babanje kwumvikana yuko ideni rizoza rirarihwa buke buke.

Muri rusangi, Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu yarashimye ivyaranguwe n'ubushikiranganji 8 bumukukira ku rugero rwa 88 n'ibice 44 kw'100 (88,44%). Vyongeye Abashingamateka n'Abakenguzamateka baramukeje ku ngingo yo gusubiza Leta amasoko yari mu minwe y'abikorera utwabo, ivyo na vyo bikaba vyatumye ikigega ca Leta kibomboka. Yose hamwe, amasoko 20 mu kiringo c'ukwezi kumwe yinjije uburyo bugera ku miriyoni 130 n'ibihumbi 824 n'amafaranga 608 y'amarundi (130.824.608 FBU) ku miriyoni 41 n'ibihumbi 875 (41.875.000 FBU) vyabonetse igihe amasoko yari mu minwe y'abikorera utwabo, ni ukuvuga ubusumbane bw'imiriyoni 88 n'ibihumbi 949 n'amafaranga 608 y'amarundi (88.949.608 FBU), bungana n'urugero rwa 212 n'ibice 4 kw'100 (212,4%). Akarorero, isoko ya Ruyigi yinjije mu kigega ca Leta uburyo bungana n'imiriyoni 11 (11.000.000 FBU) ku kwezi mu gihe haboneka uburyo bugera ku miriyoni 1 n'ibihumbi 500 (1.500.000 FBU) ikiri mu minwe y'abikorera utwabo. Ubusumbane buharurwa mu miriyoni 9 n'ibihumbi 500 (9.500.000 FBU), ni ukuvuga urugero rwa 633 n'ibice 3 (633,3%).

Turetse Ubushikiranganji bujejwe intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugu ; Ubushikiranganji bw'Umutekano w'abenegihugu ; Ubushikiranganji bw'Imigenderanire n'ugufashanya n'amakungu n'Ubushikiranganji mu Biro vy'Umukuru w'igihugu bujejwe Umuryango w'ibihugu vyo mu karere ka Afrika y'ubuseruko, ubundi bushikiranganji 4 bukukira Urwego rw'Icegera ca Mbere c'Umukuru w'igihugu ni ubu bukurikira : Ubushikiranganji mu biro vy'Umukuru w'igihugu bujejwe Intwaro ibereye n'Imigambi ya Leta ; Ubushikiranganji bujejwe kwivuna abansi n'Abahoze ku rugamba, n'Ubushikiranganji bujejwe Abakozi ba Leta n' Akazi.

2) Ibisata vy'Ubutunzi n'Imibano biri mu minwe y'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu

Kwubahiriza amategeko, nico civugo c'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu. Ivyo vyagaragaye kw' igenekerezo rya 11 Ndamukiza 2018 mu gihe Nyakubahwa Joseph BUTORE yariko arishura ku bibazo vy'Abashingamateka n'Abakenguzamateka bari mw'ikoraniro kugira bagenzure ivyo Leta imaze kurangura mu gice ca kabiri co mu 2017 mu bushikiranganji 12 bukukira Ibiro vy'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu.

Amasoko y'impene yategetswe kwugara kubera indwara yateye ico gitungwa, abenegihugu bashumbushwe ariko bakasubira ku matongo yabo iyo umugambi w'igihugu uheze, ikena ry'igipapuro c'ubuguzi rituma umuduga udasuzumwa, ivyo bita contrôle technique, canke naho uburyo bwo kwiga bwagiye mazimayonge ku banyeshure bamwe bamwe bari mu mahanga ; ivyo ni bimwe mu myitwarariko ihanze abatowe n'abenegihugu. Ku vyerekeye amasoko y'impene yugawe mu turere tumwe tumwe tw'igihugu, iyo ngingo iragumaho naho hari agahombo kibonekeza ku makori yinjira muri komine. Yamara, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu arahumuriza. Ati: Ibanki y'isi yose, ibicishije ku bushikiranganji bujejwe Ubworozi, baremeye gukora ubushakashatsi kugira barandurane n'imizi ico kiza.

Nk' uko Leta itototeza umuntu n'umwe, niko nayo itihanganira uwuyitoteza. Uko niko Nyakwubahwa Joseph BUTORE yaburiye abenegihugu baronka umuzibukiro, ariko bagasubira mu matongo yabo iyo umugambi w'igihugu watumye bimurwa umaze kurangira. Arasaba kandi ko umwenegihugu wese yoba maso kugira ashengeze uwo wese agifise ako gatima. Ku bijanye no kudasuzumisha umuduga bitewe n'ikena ry'urupapuro rwemeza nyenumuduga, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu ahanura kuvavanura n'amanyanga. Ati vyiza, ni uguhanahana izo mpapuro umuduga ukigurwa, hagutinya kuriha ikori ritegerezwa. Yasiguye ko atawokwigumizako izina ry'uwo yaguriye umuduga mu gihe uyu nawe yoba yaronse uwo muduga

mu bihe bidasanzwe.

Mu gisata c'imfashanyo Leta ironsa abanyeshule bakurikirana

ivyigwa mu mahanga, Nyakubahwa Joseph BUTORE yaratandukanije ibintu: Iyo ari abanyeshure bamenyanye amanota ashemeye cane, Leta irabitaho. Mu ntumbero yo gufashanya, ibihugu bimwe bimwe nka Algérie n'Ubuhindi, biraha igihugu c'Uburundi ibibanza. Mugabo bitewe n'amikoro make y'igihugu kidashobora gufasha abo banyeshure, abajejwe indero baramenyesha ko ivyo bibanza biriho. Abavyeyi bishoboye baca barungika abo bana, bakabamenya muri vyose. Yamara ikibabaje, ni uko abanyeshure bamaze gushika mu mahanga, hari abavyeyi bamwe bamwe barenga ku masezerano, bagashaka ko Leta yobaronsa uburyo.

Intererano y'amatora itangwa n'uwushatse, nkuko vyashikirijwe n'uwatowe n'abenegihugu, imbere yo kwibutsa ko iyo ngingo yafatiwe mw'itegeko ryashinzwe n'Abashikiranganji babiri: uwujejwe Intwaro yo hagati mu gihugu n'inyigisho zo gukundisha igihugun'uwujejwe Ikigega ca Leta. Agatangazwa rero n'uko hari abayobozi bamwe bamwe bategeka ko iyo ntererano yokatwa ku mushahara.

Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu yaragaragaje ko atavyo azi. Yamara, yaratandukanije ibintu. Yasiguye ko umukozi yemera guterera, mu nyuma agaca atangura kwidodomba, n'uko ataba akunda igihugu camwibarutse.

N'aho yemeje ikena ry'imiti, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu yarahumurije. Ati Leta iriko irita ku rutare kugira isubize ibintu mu buryo. Vyongeye, ngo Leta irarajwe ishinga n'ivyononekaye mu gihe uruzi NYABAGERE rwataye inzira bitewe n'ibikorwa vyo kurusubiramwo, biza vyaraheze, naho nyene urwo ruzi rutashitse

iyo rwategerezwa kuja, ni ukuvuga mu kiyaga ca Tanganyika. Yarahumurije ko abafasha mw'iterambere bemeye kubandanya ivyo bikorwa.

Mu turere amazi meza n'umuyagankuba ari nk'umuzi w'ibuye, ngo iyo ngorane yari ikwiye kwicarirwa mu nama ya komine, iyi nayo ikaba yoyishira mu migambi yihutirwa izorangurwa na ya ntererano y'imiriyoni 500 Leta yama iha buri komine uko umwaka utashe. Naho ico kigega ataco kivuze ugereranije n'uburyo iyo migambi isaba, ngo igikuru ni gutera intambwe ya mbere. Iyo migambi ngo ishobora kurangurwa mu myaka 3 canke 4, Leta ikaza gusa yunganira ubwa nyuma.

Vyongeye, Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu yarakeje Ubushikiranganji bujejwe Amazi, Ibidukikije no gutunganya ibisagara ku mugambi mwiza ujanye no gupima no kuzitira amatongo, yaba ayegukira Leta canke ay'abenegihugu. Yatanze akarorero ko muri komine ya Gashikanwa, ico gikorwa cerekeje amapariseri agera kuri 250, kubwaguke bungana na hegitari 633. Muri komine ya Kiganda naho, ngo haharuwe amaparisera 148 ari mu mahegitari 647 ; nayo i Matana habonetse amaparisera 139 ku mahegitari 609. Vyose hamwe, mu makomine 5 yatowe, habonetse amatongo ya Leta ashika 537 mu gihe amaparisera y'abenegihugu agera ku 1.135 yapimwe yongera ashigwako

uturimbi. Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Leta no gushira amashirahamwe ya Leta mu minwe y'abikorera utwabo; Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi; Ubushikiranganji bw'Amagara y'abantu no kurwanya ikiza ca SIDA; Ubushikiranganji bw'Indero, Inyigisho za Kaminuza n'Ubushakashatsi bukukira Urwego rw'Icegera ca Kabiri c'Umukuru w'igihugu. Ubundi bushikiranganji buharurwa muri ico gisata c'ubutunzi n'imibano ni : Ubushikiranganji bujejwe Amaposita, Ubuhinga, Guhanahana Amakuru n'Ibimenyeshamakuru ; Ubushikiranganji bw'Amazi, Ibidukikije no Gutunganya Ibisagara; Ubushikiranganji bw'Ubudandaji, Amahinguriro n'Ingenzi n'Ubushikiranganji bw'Amasoko ntanganguvu n'Ubutare. Mu gusozera urwo rutonde, twovuga Ubushikiranganji bw'Iterambere ry'amakomine; Ubushikiranganji bwo Gutwara Ibintu n'Abantu, Ibikorwa vya Leta n'Ubushikiranganji bw'Agateka ka zina muntu, Imibano no Kunganisha Ibitsina, hamwe rero n'Ubushikiranganji bw'Urwaruka, Inkino n'Imico kama.

Christine NAHIMANA

IVYARANGUWE N'ICEGERA CA KABIRI

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaragize urugendo mu ntara ya Ruyigi

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine n'intara ya Ruyigi mu bikorwa vy'iterambere rusangi hari kw'igenekerezo rya 21 ndamukiza 2018. Ivyo bikorwa vyari vyerekeye gusibura imiferege itwara amazi ikikije ibarabara RN 13 no gukwabura inkombe zibarabara rihuza ikomine ya Ruyigi na Butezi. Barongeye barashira ivu mu binogo vyari vyatewe n'imvura muri iryo barabara nyene.

Inyuma y'ivyo bikorwa, musitanteri wa komine Ruyigi yarahaye ikaze abari baje muri ivyo bikorwa. Yaremeje kandi ko amahoro n'umutekano birangwa muri komine Ruyigi. Umuhanuzi mukuru wa buramatari yari yaserukiye buramatari nawe nyene yamenyesheje ko abenegihugu baja ku bikorwa

vyabo vya minsi yose. Mw'ijambo ryiwe Icegera ca kabiri c'Umukuru

w'Inama Nshingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yarashimiye abenegihugu bitavye ari benshi ivyo bikorwa rusangi yongera arabaha n'impanuro zijanye nukubungabunga amahoro n'umutekano arivyo soko ry'iterambere.

Yarabasavye kuja mu makoperative ariyo nzira y'iterambere.Yongeye arabasaba ko bocungera neza twa dupapuro tuzotuma bitabira amatora yimirije.Yarangije ijambo ryiwe asaba ko abatarubaka biciye mu mategeko ko bobigira mu maguru masha. Twobamenyesha ko muri urwo rugendo Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yasangiye igisabisho co ku munsi w'Imana n'abakristu bo muri Paruwasi ya Rusengo.

Muri iyo nkuka y'imisa, Umusaseredoti yarasavye aba kristu kuba abungere beza kuko umwungere mwiza aragira intama ziwe. Inyuma yiyo nkuko ya misa, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yaciye agendera ishure ry'akarorero rya Rusengo aho yagiye abashiriye utuganuke.

J Baptiste Claude NIJIMBERE

Ibikorwa rusangi vyabereye muri zone ya Gihosha muri komine Ntahangwa.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka Umushingamateka Jocky Chantal NKURUNZIZA yarifadikanije n'abenegihugu bo muri komine Ntahangwa muri zone ya Gihosha mu bikorwa vy'iterambere rusangi igenekerezo rya 31 ntwarante 2018. Inyuma y'ibikorwa rusangi musitanteri wa komine Ntahangwa yarashimiye abari bitabiriye ivyo bikorwa.

Mw'ijambo ryiwe, Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yarateye akamo abari ngaho ko bokwitabira ibikorwa aho baba, bagakoresha uburyo basanganywe mukurundira ko Leta ibaronsa uburyo. Twobamenyesha ko Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka yari yaherekejwe n'Abashingamateka batowe mu ntara ya Kayanza na Gitega baba muri iyo komine ya

J Baptiste Claude NIJIMBERE

Ibirori vyo gusozera ibikorwa vy'Abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe

Umukuru w 'Inama Nshingamateka ahanura abajejwe intwaro, imiryango n'ababanyi b'abahunguka ko bobakira neza, bakongera bakifatanya nabo mu bintu vya nkenerwa, nko mu bijanye n'uburaro, ukwivuza n'ugufungura. Nyakubahwa Pascal NYABENDA yabishikirije ku munsi wa mbere igenekerezo rya 30 ndamukiza 2018 mu birori vyo gusozera icese ibikorwa vy'Abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe ca Ruhuhuma 2018. Turetse iyo ngendo yo gushigikira Leta muri iryo sekeza ryo gutahukana impunzi, Umukuru w'Inama Nshingamateka yarashikirije kandi ivyaranguwe n'Abashingamateka mu kiringo ca Ruhuhuma 2018. Aha twovuga nk'Integuro z'amabwirizwa zigera kw'9, kwishikira ku kivi no gutsimbataza imigenderanire n'izindi Nama Nshingamateka biciye mu ngendo zo mu mahanga. Vyongeye, Abashingamateka mu butandukane bwabo n'abakozi bose bo muri urwo rwego, baratereye amatora yo muri 2020 ku rugero rwa 130.000.000 z'amafaranga y'amarundi. Abategetsi batandukanye bari bitabiriye ivyo birori, nk' abaserukira ibihugu vyabo i Bujumbura.

Christine NAHIMANA

Ijambo ryashikirijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, Nyakubahwa Pascal Nyabenda mu birori vyo gusozera icese ibikorwa vy'abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe ca ruhuhuma 2018

Muri kano kanya turiko turasozera icese ibikorwa vy'Abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe ca Ruhuhuma 2018, munkundire, kw'izina ry'Inama Nshingamateka no kw'izina ryanje nyene, mbanze ndabashimire vy'umwihariko, kubona mwitabiriye ubutumire bwacu. Gurtyo muragaragaje ko mwitwararika imirimo mwatumwe n'abenegihugu kuwa 29 Ruheshi 2015. Vyongeye, turashima kandi ibikorwa ngirakamaro vyaranguwe mwa kino kiringo. Ntitwokwirengagiza kandi gukenguruka ingendo yo gufashanya na Leta, ari navyo vyatumye Inama Nshingamateka irangurana ubwira imirimo yashinzwe.

Ku bijanye n'ibikorwa vyaranguwe n'Inama Nshingamateka muri aya mezi atatu ikiringo camaze, ku vyerekeye amabwirizwa, Inama Nshingamateka yarahinyanyuye yongera iremeza integuro z'amabwirizwa, arizo zizi zikurikira :

1. Integuro y'ibwirizwa ritunganya imiti bamijira ibiterwa n'ibitungwa mu Burundi ;
2. Integuro y'ibwirizwa riraba ingene ubuvuzi n'ibisata vy'ubuvuzi bitunganijwe ;
3. Integuro y'ibwirizwa ritunganya igisata c'abakorerabushake mu Burundi ;

4. Integuro y'Ibwirizwa ryerekeye iterwa ry'igikumu na Leta y'Uburundi, ku masezerano ashinga ibanki ya Afirika ariyo AFREXIM BANK yashinzwe i Abidjan kuwa 9 Rusama 1993 ;

5. Integuro y'ibwirizwa risubiramwo ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa ;

6. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye iterwa ry'igikumu na Republika y'Uburundi ku masezerano yo gufashanya hagati ya Republika y'Uburundi n'ibanki y'isi yose ijejwe gusanura IDA, yerekeye kwubaka urugomero rw'amatara muri JIJI na MUREMBWE, yateweko igikumu i Bujumbura kuwa 19 Kigarama 2017 ;

7. Integuro y'ibwirizwa ryerekeye isubirwamwo ry'Ibwirizwa n°1/15 ryo kuwa 9 Rusama 2015 rigenga ibinyamakuru mu Burundi.

Inama Nshingamateka yarongeye irihweza yongera iremeza impinyanyuro zitanu zivuye mu Nama Nkenguzamateka muri izo nteguro z'amabwirizwa duhejeje kudondagura.

Mu gisata co kugenzura ibikorwa vya Leta, Inama Nshingamateka yarakurikiye mu nama ya bose inyishu zatanzwe n'Umushikiranganji ajejwe indero, inyigisho za Kaminuza n'ubushakashatsi. Ibibazo vyari vyerekeye wa mugambi wo gukwiragiza mu gihugu abigisha aho basanzwe bakenye ; kunganisha impapuro z'umutsindo zitangwa n'Ishule ry'abakozi ba Leta bari ku mirimo « ENA » ; na kazoza k'inyigisho zo ku mugoroba zitangwa na Kaminuza zimwe zimwe zigenga.

Ku ruhande rwiwe, Umuhuza w'Abarundi Edouard NDUWIMANA, yaraje gushikiriza Abashingamateka icegeranyo c'ibikorwa vyaranguwe n'urwo rwego mu mwaka wa 2017.

Hisunzwe Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi, mu ngingo yaryo y'163, Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka barakurikiye mw'ikoraniro ivyegeranyo vy'Ivyegera bibiri vy'Umukuru w'igihugu ku vyaranguwe mu mezi atandatu ya nyuma ya 2017 n'ubushikiranganji bwegukira umwe umwe wese.

Bahurikiye muri iryo koraniro nyene ryatewe iteka na Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA, Abashikiranganji bagize Leta nshasha n'abantu babiri bari muri wa mugwi w'igihugu ujejwe amatongo n'ayandi matungo, « CNTB », bararahiye kuwa 24 Ndamukiza 2018.

Ku bijanye no guserukira abenegihugu, Inama Nshingamateka yarishikiye ku kivi incuro nyinshi. Abashingamateka barifatanije n'abenegihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi , tutibagiye guhimbaza umunsi mukuru twibuka Ubumwe bw'Abarundi, umunsi mukuru wahariwe abakenyezi kw'isi yose n'uwo kwibuka imyaka 24 Umukuru w'igihugu Cyprien NTARYAMIRA agandaguwe.

Mu gisata c'imibano, Inama Nshingamateka yaragarukiye kuri ba Ntahonikora babarizwa mu mihingo itandukanye y'igihugu.

Ikindi naco, Inama Nshingamateka yararihiye amafaranga y'ibitaro abarwayi 28 batashoboye kuriha ibitaro vyitiriwe Umwami Karori mu Buyenzi n'Umwami Khaled mu Kamenge ku rugero rungana n'imiriyoni zitandatu z'amafaranga y'Amarundi.

Nk'umwenegihugu, narashoboye kuja kwiyandikisha kugira nze nitabire amatora yo muri 2018 n'ayo muri 2020. Tukivuga ayo matora nyene, Inama Nshingamateka yaratanze mw'ibanki nkuru y'igihugu « BRB » uburyo bungana n'imiriyoni 130 z'amafaranga y'amarundi nk'intererano y'amatora yo muri 2020.

Abashingamateka mu butandukane bwabo n'abakozi bo muri urwo rwego baritanze kugira ivyo bishoboke.

Turashimiye kandi vy' umwihariko Abashingamateka bane bo mu mugambwe CNDD-FDD batanze uburyo bwisunununuye kurusha abandi. Tuboneyeho kandi gukeza umurwi « INTWARI » w'umupira w'amaboko «Netball» wo mu Nama Nshingamateka wo watahukanye igikombe ca mbere co mw'ihiganwa ry'igihugu c'urwo rukino, ryabereye mu ntara ya Muramvya muri 2018. Turabateye intege, baragahora baja imbere.

Mu ntumbero yo gutsimbataza imigenderanire n'izindi Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka, twarahaye umubonano Umushikiranganji

ajejwe imigenderanire n'ibindi bihugu wo mu gihugu ca Misiri, Nyakubahwa Sameh SHOUKRY. Ikiyago cashimikiye ku ngorane y'ibungabungwa n'ikoreshwa ry'amazi ya Nil mu bihugu urwo ruzi rucamwo. Twaranavuganye kandi n'ingene hoshingwa umugwi w'ubucuti hagati y'Abashingamateka bo mu Burundi n'abo mu Misiri.

Twarahaye kandi umubonano Nyakubahwa Roger NKODO DANG, Umukuru w'Inama Nshingamateka y'ibihugu vyo mu karere ka Afrika yagendeye igihugu c'Uburundi ku magenekerezo ya 24 na 25 Ndamukiza 2018.

Vyongeye, Inama Nshingamateka yararungitse intumwa kugira bayiserukire mu bikorwa vyinshi vyatunganijwe mu mahanga n'Urunani rw'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Inama Nshingamateka y'ibihugu vyo mu karere ka Afrika «PAP», Ihuriro ry'Inama Nshingamateka rihurikiyemwo ibihugu vyo mu karere k'ibiyaga binini «FP-CIRGL », Umugwi wo mw'Ishirahamwe mpuzamakungu ujejwe umukenyezi mu nama y'Abakuru b'Amanama Nshingamateka b'ibihugu bikoresha ururimi rw'igifaransa «APF», Inama Nshingamateka y'ibihugu biri mu migabane ya Afrika, Karayibe na Pasifike n'Umuryango w'ibihugu vya Buraya « ACP-UE », n'Inama nkuru y'urunani rw'abakozi bo mu Nama Nshingamateka na Nkenguzamateka zo mu karere ka Afirika « RAPP ».

Ni muri iyo ntumbero twebwe turongoye intumwa twakurikiranye inama igira 138 y'Urunani rw'Amanama Nshingamateka n'amanama bijanye vyabereye i Genève mu gihugu c'Ubuswise kuwa 24 gushika kuwa 28 Ruhuhuma 2018. Muri ico gihe, twarabonanye n'abategetsi batandukanye. Aha novuga nka Nyakwubahwa Cipriano CASSAMA, Umukuru w'Inama Nshingamateka ya Guinée Bissau, akongera akaba ariwe arongoye Urunani rw'Amanama Nshingamateka ku mugabane wa Afrika «UPA». Kwari ukugira tuvugane ivyo imyiteguro y'inama igira iya 72 ya UPA izobera hano i Bujumbura kuwa 22 na 23 Rusama 2018 aho bigeze. Narabonanye kandi n'Abakuru b'Amanama Nshingamateka na Nkenguzamateka b'ibihugu vyo mw'Ishirahamwe rya Afrika y'Ubuseruko « EAC », Nyakubahwa Patrick MATIBINI, Umukuru w'Inama Nshingamateka wa Zambiya na Nyakubahwa Ismail KAHRAMAN arongoye Inama Nshingamateka ya Turikiya. Vyongeye, twaranashitse ku vyerekeye ubucuti hagati y'izo nzego zacu.

Nk'Umukuru w'Inama Nshingamateka kandi ku butumire bwa Nyakubahwa Ismail KAHRAMAN, nararongoye intumwa zagendeye urwo rwego kuwa 19 gushika kuwa 24 Ruhuhuma 2018.

Muri urwo rugendo, narahawe umubonano n'Umukuru w'igihugu ca Turikiya, Nyenicubahiro Recep Tayyip ERDOGAN n'Umukuru w'igisata c'ubudandaji w'Istanbul. Twaboneyeho akaryo ko gutumira abagwizatunga bo muri Turikiya kugira baze gushinga imitahe yabo mu Burundi.

Twaranahanahanye ivyiyumviro kukugene twonagura urudandaza hagati y'Abarundi n'abenegihugu ba Turikiya, tutibagiye kwugurura umuhora wa Turkish Airlines i Bujumbura no kwugurura ibiro vy'uwuserukira Turikiya mu Burundi.

Inama Nshingamateka isozereye ibikorwa vy'Abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe ca Ruhuhuma 2018 mu gihe Itegeko n°100/039 ryo kuwa 26 Ndamukiza 2018 rihejeje gutangaza ko isekeza ryo kwemeza canke guhakana impinyanyuro z'Ibwirizwa Shingiro ryo kwa 17 Rusama 2018 ryuguruwe guhera kuwa mbere Rusama 2018 gushika kuwa 14 Rusama 2018. Iyo ngingo ifashwe inyuma yaho umugwi wigenga ujejwe gutegura amatora « CENI » ushikirije ku mugaragaro urutonde rw'imigambwe n'abigenga biyandikishije kugira baze bitabirire iryo tora.

Inama Nshingamateka iboneyeho gukeza inzego z'igisirikare n'igipolisi, n'Umugwi « CENI » ku ntambwe bamaze kugerako mugutunganya no mugukingira iryo tora. Turabateye intege, babandanye baja imbere kugira impera n'imperuka ibintu bizogende neza, naho hari abarara ku mugono mu guha intumbero ya politike ibijanye n'agateka ka zina muntu mu Burundi ata kindi bagamije atari uguhungambanya iryo tora. Inama Nshingamateka itumirira abenegihugu kwima amatwi izo njavyi ; ahubwo ko boguma bafatanye mu nda, bagatsimbataza amahoro n'umutekano.

Inama Nshingamateka irashima

ihimirizwa ryakozwe n'inzego nkuru z'igihugu, bakunganirwa na ba buramatari, ba musitanteri, abarongoye ama zone, imitumba n'ama karitiye. Inama Nshingamateka iribukije abenegihugu bose mu budasa bwabo ko bategerezwa kwubaha Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi n'ayandi mabwirizwa, kubungabunga amasezerano y'ubumwe bw'Abarundi, kwubaha inzego z'igihugu, amatungo ya Leta no kwubahana.

Inama Nshingamateka irashigikiye Leta mu mugambi wayo wo gutahukana impuzi z'Abarundi. Inama ihuza ibihugu bitatu arivyo Uburundi, Tanzaniya na HCR yabereye i Bujumbura muri Ntwarante 2018 yarashinze urwego ruhambaye rwo guhungura izo mpunzi ziri muri Tanzaniya . Inama Nshingamateka yizera ko ico gikorwa kizobandanya no mu bindi bihugu nka RDC, Rwanda na Uganda.

Tuboneyeho gusaba abajejwe intwaro, imiryango n'ababanyi b'abo bahungutse kubakira neza mukubafasha kuronka ivyankenerwa nk'imiti, indaro n'imfungurwa. Kugira bishoboke, turahimirije abenegihugu kuzigama neza umwimbu w'agatasi wagenze neza mu mihingo myinshi y'igihugu ; ivyo tukabikesha ikirere cagenze neza. Turateye akamo abenegihugu yuko bokwijukira ibiterwa birinda izuba mu ci, mu gihe igihugu kigiye kwinjira muri iryo ci nyezina mu mezi ya Ruheshi, Mukakaro na Myandagaro.

Ntitworangiza ijambo ryacu tudasubiye kubashimira ingene mwitabiriye bino birori. Ku ncuti z'Uburundi, turakeneye ko bodushigikira mu migambi itandukanye, hisunzwe ariko ubwigenge bw'igihugu, kugira iryo sango ryo kuwa 17 Rusama 2018 ryo kwemeza canke guhakana impinyanyuro z'Ibwirizwa Shingiro rishike, rizogende neza, riteko ritubere intambwe yo gutsimbataza intwaro rusangi mu Burundi.

Tuboneyeho akaryo ko kwipfuriza Abashingamateka akaruhuko keza, ikiringo mu vyo ukuri atari akaruhuko, ahubwo aba ari imirimo iba ihindutse. Ni igihe ciza co kwiyegereza abenegihugu, bakamenya ibibabakiye ku bijanye no kurwanya ubukene no kwiginana umunsi mpuzamakungu wahariwe akazi mu kwezi kwa Rusama 2018, na cane cane muguhimiriza ngo baze basidukane n'iyonka kuwa 17 Rusama 2018.

Ni kuri ayo majambo dusozereyeko icese ibikorwa vy'Abashingamateka vyo mu kiringo gisanzwe ca Ruhuhuma 2018.

Christine NAHIMANA

Ihimbazwa ry'umunsi mukuru w'akazi n'abakozi

Turakeje ingingo ya Leta yo gukura ahatemba ishirahamwe ONATEL ». Ako kanyamuneza kagaragajwe n'Uwuserukira Urunani Mpuzamasendika mu Burundi, COSYBU mu ncamake. Maxime NDAYISABA, mw'ijambo yashikirije ku munsi wa kabiri igenekerezo rya 1 Rusama 2018 ku kibuga c'inkino co ku Muremera ku murwa mukuru w'intara ya Ngozi, mu birori vyo guhimbaza uyo munsi mukuru vyari bihagarikiwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka, yarifuje kandi ko izo nguvu nyene zoba arizo zokoreshwa mu kunagura ishirahamwe ryo kuvuza abakozi ba Leta, ariryo Mutuelle de la Fonction Publique, MFP mu mfunyafunyo. Mu vy'ukuri, iryo shirahamwe ngo ntirigishobora

kuja kurangura imiti mu mahanga aho bayikorera nk'uko vyahora kera. Yamara, yaraneguye inyifato yibonekeza mu rwego rw'ubutungane, aho hatacemerwa imanza zicibwa n'amasentare.

« Dukure amaboko mu mpuzu, duteze imbere igihugu cacu », ico nico civugo c'uno mwaka kuri uyo munsi mukuru w'akazi n'abakozi, nk'uko vyibukijwe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka yari

asanzwe ari Intumwa idasanzwe y'Umukuru w'igihugu. Nyekubahwa Pascal NYABENDA, muri ubwo butumwa, yarakeje Ikigo c'igihugu co gutunganya ibiganiro hagati y'abakozi n'abakoresha, arico CNDS mu ncamake. Iyo hadutse amatati hagati y'abakozi n'abakoresha, CNDS irabatorera inyishu. Nk'uko Umukuru w'Inama Nshingamateka yabishimangiye, umengo agomba guhumuriza uwaserukiye amasendika y'abakozi.

Muri iryo jambo nyene, Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yashikirije Abarundi, arashima ingene Leta yita ku rutare kugira ihangane n'ingorane yugarije urwaruka, ijanye n'ubushomeri. Ni muri iyo ntumbero Leta yishinze muri uyu mwaka w'2018 gutanga akazi ku benegihugu bangana n'1.600 mu Bushikiranganji bw'Indero, Iterambere ry'Amakomine n'ubujejwe Amagara y'Abantu. Vyongeye, Leta ngo izosubiriza abakozi bakukurutse, abatanze imihoho canke abirukanywe.

I ruhande ya OBR yinjije mu kigega ca Leta urugero rwa 12 kw'100 (12%) burenga ku buryo bwari butegekanijwe kuboneka mu mezi atatu ya mbere y'uno mwaka, Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu, muri iryo jambo ryiwe, yarakeje kandi abantu bahaye igihugu izina mu makungu ku gatwe kabo. Ariko kudondagura Jean-Claude BIRUMUSHAHU, yatowe nk'umuhagarikizi mw'ihiganwa c'Igikombe c'isi yose mu rukinorw'umupira w'amaguru rizobera mu gihugu c'Uburusiya uno mwaka; Lydia NSEKERA, umukenyezi agira kabiri kw'isi mukwitanga mu ntumbero yo guteza imbere ukwinonora imitsi ; Eric BIRIBUZE yatsindiye agashimwe ka mbere karonswa umwirabure azi gutunganya amashirahamwe muri Leta zunze ubumwe za Amerika na Francine NIYONSABA yatsindiye imidari mu mahiganwa mpuzamakungu yo kwiruka.

Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yasozereye ijambo ryiwe mu kwifuriza abenegihugu kuguma batekanye mu matora yimirije yo kwemeza canke guhakana impinyanyuro ziri mw'Ibwirizwa Nshingiro.

Christine NAHIMANA

Abakenyezi b'Abashingamateka n'Abakenguzamateka baripfurije pasika nziza abakenyezi ba ntahonikora bo mu ntara ya Gitega.

Indwara yo mu kigo ni indwara nk'izindi birakwiye kuyivuza. Ni ivyashikirijwe n'Umushingamateka NININAHAZWE Godelieve arongoye ishirahamwe ry'abakenyezi b'Abashingamateka n'Abakenguzamateka, AFEPABU mu mfunyafyunyo y'igifaransa.

Hari igenekerezo rya 9 ndamukiza 2018 mu rugendo abo batowe bari batunganije mu ntara ya Gitega.

Abo bakenyezi b'Abashingamateka

n'Abakenguzamateka bagendeye ibigo bibiri : Urumuri na Humura ; ikigo Urumuri kikaba cakira abakenyezi barwaye indwara zo mu kigo, Humura naco kikakira abakenyezi bakubaguwe n'abakorewe amabi afatiye ku gitsina, bakaba bari bitwaje imfashanyo igizwe n'ibifungurwa n'ibitenge.

Mu kigo Urumuri, abafashe amajambo bose barashimye ishirwaho ry'ico kigo kiri mu nyubakwa z'ivuriro rikuru rya Gitega. Umuyobozi w'ivyo bitaro NDUWIMANA Jacques yamenyesheje ko kuva ico kigo gitanguye kimaze kwakira abarwayi 2530 kuva muri 2010 gushika muri 2016.

Muri iyi minsi ico kigo kikaba kiriko kivura abarwayi 259.

Ico kigo ariko kikaba gifise ikibazo c'abakozi babinonosoye nk'uko vyashikirijwe na NDUWIMANA Jacques kuko iruhande y'iyo ndwara yo mukigo birashika abo bakenyezi bakarwara izindi ndwara. Ico kigo kandi kikaba gikenye iyindi nyubakwa yo kubagiramwo abarwayi.

Umushingamateka Godelieve NININAHAZWE yaripfurije pasika nziza abo barwayi .

Yaciye aronkeraho n'akaryo ko gutera akamo abakenyezi bose ko batosubira kwibarukira muhira iwabo mu ntumbero yo kwirinda iyo ndwara ifata umuvyeyi mugihe yamaze umwanya munini ku rwahi, akibaruka bigoranye.

Akaba yahanuye abakenyezi kwegera umuganga kuva bakibona ibimenyetso vya mbere.

Icegera ca mbere c'Umukuru w'Inama Nkenguzamateka nawe mw'ijambo yashikirije, yasavye indongozi z'ico kigo ko botanguza umugambi muri ico kigo wo kwigisha imyuga itandukanye abo bakenyezi mu ntumbero yo kubarinda ukwihebura.

Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Inama Nshingamateka nawe akaba yari pfurije abo barwayi gukira bakazosubira iwabo.

Mu kigo Humura ubutumwa bwari bumwe. Basavye ko ari ukwamirira kure abakora ayo mabi.

Abarongozi bico kigo baramenyesheje yuko ababitura bosebaba bafise ingorane zitandukanye: abashurashujwe ku nguvu, abakubaguwe ku mubiri, uguhohoterwa mu vyerekeye ubutunzi n'ukuribwa umutima.

Abakenyezi bakaba aribo benshi; ibice 90% abagabo nabo ibice 10%. Umushingamateka Godelieve NININAZWE akaba yamenyesheje ko ayo mabi yose ari ubwicanyi mu bundi. Yamenyesheje yuko abo bagizi ba nabi, nk'uko amategeko abitegekanya, bakaba bategerezwa gucirirwa urubanza.

Pétronie BUCUMI

Kwihweza no kwemeza integuro y'ibwirizwa rishiraho umugwi w'abakorerabushake mu Burundi.

Urwaruka rw'abarundi ngo ruriteguriye guterera agacumu k'ubumwe muvy'ubukorerabushake mu bikorwa vyo kunywanisha abarundi n'uguteza imbere igihugu. Ni ivyashikirijwe n'umushikiranganji w'urwaruka inkino n'imico kama igihe yariko arasigura imvo n'imvano y'integuro y'ibwirizwa rishiraho umugwi w'abakorerabushake b'abarundi. Hari igenekerezo rya 4 ndamukiza 2018 mu nama ya bose.

Ba Nyakubahwa Abashingamateka bakaba barashikirije amakenga bafise ku kuntu abo bakorerabushake bazofatwa n'inzego zizobakira, cane cane ko bazoba batagengwa n'amategeko co kimwe n'abakozi. Ubwo ntibizoshika aho birukana abasanzwe bahemberwa ivyo bikorwa niyo babona ko haje abakorerabushake ; canecane mu bigo vy'abikorera utwabo ? Ivyo ni ivyabajijwe na ba Nyakubahwa Abashingamateka.

Umushikiranganji HITIMANA Jean-Bosco akaba yasiguye ko abo bakorerabushake bazoba bakurikiranwa n'ikigo kizoshirwaho n'itegeko ry'Umukuru w'Igihugu. Nayo ku vyerekeye ko abakorerabushake ari bo boshirwa imbere gusumba, umushikiranganji akaba yababwiye ko bazoba bafise urwete rwerekana ivyo bazokora; rwerekana kandi ko barungitswe n'ikigo gikuru.

Umushikiranganji akaba yamenyesheje ko ata mushahara utegekanijwe kuri abo bakorerabushake bazokwandikirwa, ati ariko bazoronswa agashirukabute.Ivyo vyiyumviro bishasha bizoza murwego rw'urwaruka bizofasha gukurikirana inyifato y'urwo rwaruka rudafise akazi , kandi bazohungukira ubuhinga mu vy'akazi.

Abaserukira abenegihugu bakaba barashatse kumenya ico bazovamwo, inyuma y'iyo myaka itatu y'akazi. Umushikiranganji akaba yarabishuye ko ikigo gikuru

kizobakurikirana n'inyuma yivyo bikorwa.

Ari naco gituma yasavye ko ico kigo cogira ubwigenge mu vy'ubutunzi kugira babashe guhangana n'ivyo bibazo.

Ba Nyakubahwa Abashingamateka bakaba barasavye ko , ku banyamahanga bazifuza kuronswa akazi muri ico kigo, ko bobanza gusaba ubwenegihugu imbere yo kuronswa akazi.

Iyo nteguro y'ibwirizwa ikaba yaciye ihinduka izina ry'umutwe ikitwa: «Integuro y'Ibwirizwa Ishiraho Umugwi w'Abakorerabushake b'Abarundi». Ikiva muri Leta, izina ry'umutwe ryari :

«Integuro y'Ibwirizwa Ishiraho Umugwi w'Abakorerabushake mu burundi». Bahejeje kurica irya n'ino, Integuro y'Ibwirizwa ishiraho Umugwi w'Abakorerabushake mu Burundi yaciye yemezwa ijana kw'ijana n'Abashingamateka 102 bari bitavye ivyo bikorwa.

Pétronie BUCUMI

Guhinyanyura no kwemeza Integuro y'ibwirizwa risubiramwo Igitabu c'ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa.

Gusaka mw'ijoro birarekuwe, co kimwe n'ugusaka ata mutahe watanzwe. Izo ni zimwe mu ngingo nshasha ziri mu Nteguro y'Ibwirizwa risubiramwo Igitabu c'ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa. Ivyo ni ivyashikirijwe ku munsi wa gatatu, igenekerezo rya 18 Ndamukiza 2018, mu mvo n'imvano, n'Umushikiranganji w'Ubutungane, Aimée Laurentine KANYANA. Yasiguye ko izo ngingo nshasha zije hageze mu gihe ubugizi bwa nabi busigaye bwarimonogoje. Ari nako guca yungikanya amenyesha yuko hemewe isaka ryo mu kivunga n'isakwa ry'ubuhinga ngurukanabumenyi. Yamara, mu ntumbero yo kwubahiriza agateka ka zina muntu, Umushikiranganji

w'Ubutungane yarahumurije ko ubwo buryo bushasha bwo gusaka buzokorwa umushikirizamanza abizi. Ati abajejwe gukora amatohoza barongerejwe ububasha kugira barangure neza umurimo wabo. Ari nako kudondagura bumwe bumwe muri ubwo bubasha, nk'umwihwezo, igendereza, ihanahana ry'amakuru, isakwa rifatiye ku buhinga ngurukanabumenyi, canke ku majwi, gushinga ivyuma bifata amasanamu mu turere tumwe tumwe no mu miduga.

Ikindi naco, Umushikiranganji w'Ubutungane yaragabishije ko gushinga izo ngingo nshasha bidasigura yuko ubugizi bwa nabi bwimonogoje, ngo ahubwo busigaye bwarahinduye ubuhinga. Ati mu ntumbero yo guhangana n'abo bagizi ba nabi

ba karuhariwe, hategerezwa gushingwa ingingo n'ubuhinga bushasha butuma ivyagiriji

biboneka vuba, gurtyo abo icaha cagiye nabo bagafatwa mpiri. Yaribukije kandi ko igitabu cahahora kigenga ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa mu Burundi cagenzwa n'Ibwirizwa n°1/10 ryo kuwa 3 Ndamukiza 2013. Abashingamateka baragaragaje ko iryo Bwirizwa risubiramwo Igitabu c'ingene imanza z'ivyaha ziburanishwa rije gushira mu mategeko ivyaha vyari bihasanzwe. Batanze akarorero k'isakwa mu kivunga.

Naho yemeje iyo nyifato, Umushikiranganji Aimée Laurentine KANYANA yasiguye ko abenegihugu batakira neza iryo sakwa mu kivunga; ngo mbere hari naho vyashaka kuvyara imigumuko.

Vyongeye, isakwa ry'ijoro ntirihumuriza Abashingamateka. Ku kaba nkako, amatati y'ubwoko bwinshi aratandukanya aba na bariya. Baradondaguye amatati y'amatongo, ayavuye ku mvo za politike, batibagiye imvo zitandukanye zituma badodobereza umwenegihugu, gurtyo abapolisi bakaza gusaka mu nzu y'inzirakarengane. Abashingamateka barerekanye ko ahubwo aba baje gusaka batoza bizaniye bo nyene ibikoresho kugira vyagire uyo baje gusaka mw'ijoro.

Mu kwubahiriza, iyo Ntumwa ya Leta yagereranije Abashingamateka n'abenegihugu.

Ati kurya abenegihugu babizeye mukubahunda amajwi mu matora kugira muze mubaserukire, niko namwe mwo kwizera abashikirizamanza.

Abashingamateka baramiriye kure ingendo y'umushikirizamanza aha umupolisi uruhusha rwo kuja gusaka abicishije kuri terefone.

Ni igiki cemeza ko ari vyo ? Ko muri kino kiringo hasigaye hibonekeza abatoranye ubuhinga bwo gusubiramwo neza na neza umuntu runaka, ninde wokwizera? Ivyiza ngo ni uko abashikirizamanza botanga inomero ya terefone itariha kugira abenegihugu bibarize ko koko abo bapolisi barungitswe n'abo bashikirizamanza, nk'uko vyashikirijwe n'Umushingamateka. Ku rundi ruhande naho, inama ya bose basavye Leta ko amategeko yoherekeza iryo Bwirizwa yobanza kwigwa neza. Barifuje kandi ko iryo subirwamwo ry'iryo bwirizwa ryokwandikwa mu rurimi kavukire rw'ikirundi , ikongera igasigurirwa abenegihugu.

Mwomenya ko ihinyanyurwa ry'iyo nteguro y'Ibwirizwa atari igikorwa co gutuma umwana. Ku kaba nkako, inama yakoranye igihe c'isaha 5 zo mu gitondo, yasozereye ibikorwa vyayo butanguye kwira, nk'isaha 12 zo ku muhingamo. Mu mpera n'imperuka, iyo nteguro y'Ibwirizwa yemejwe ku rugero rwa 83 n'ibice 3 kw'100, ni ukuvuga ku majwi 90 mu gihe ayandi majwi 22 yarihakanye.

Christine NAHIMANA

Abagize Leta Nshasha barahiye



Abagize Leta nshasha y'Uburundi bararahiye imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu kw'igenekerezo rya 24 Ndamukiza Umwaka wa 2018 mu Ngoro y'Amakoraniro yo mu Kigobe.

Imbere y'Umukuru w'Iguhugu n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka, Abashikiranganji 21 barahiyeko bazokora bisunze Amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, Ibwirizwa Shingiro hamwe n'Amategeko.

Nkuko biri mu ngingo y'133 y'Ibwirizwa Shingiro, abagize Leta bagendera ku mategeko bakanabazwa ivyo bakora n'Umukuru w'Igihugu. Igihe rero binjiye mu mabanga mashasha, abagize Leta bategerezwa kurahira imbere y'abagize Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka hamwe n'Umukuru w'Igihugu.

Bakaba biyemeza mbere ya Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, imbere y'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ko bazogendera Amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, Ibwirizwa Shingiro hamwe n'amategeko. Biyemeje gukoresha inguvu zabo zose mu guharanira inyungu z'igihugu, kugendera ubumwe n'ukubana neza kw'abenegihugu, amahoro, ubutungane kuri bose mu gukora ivyo bajejwe.

Bariyemeza kandi kugwanya ivyiyumviro canke ibikorwa vy'ihonyabwoko n'ikumirwa hamwe guteza imbere no kugwanira no guharanira amateka n'uburenganzira bw'umwenegihugu.

Uko kurahira kandi kwakozwe hisunzwe ingingo ya 228 y'Ibwirizwa Shingiro rya Republika y'Uburundi umurongo ugira 5, aho bavugako Sentare Ntahinyuzwa ariyo irekuriwe kwakira indahiro z'Umukuru w'Igihugu, ivyegera vyiwe hamwe n'abagize Leta imbere yuko binjira mu mubanga yabo.

Abo bashikiranganji 21 bakaba barahiye umwe umwe badugije ukuboko kw'iburyo bafashe n'idarapo mu kuboko

kw'ibubamfu hanyuma batera igikumu imbere y'abagize Sentare Ntahinyuzwa.

Inyuma y'abagize Leta haciye harahira abagize Sentare Idasanzwe ica imanza z'amatongo n'ayandi matungo aho barahiye imbere y'Umukuru w'Igihugu n'Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka. Ivyo birori bikaba vyitabwe n'abari mu nzego zitandukanye.



INAMA NSHINGAMATEKA

UMUKURU W' IYANDIKIRO

Providence NIKIZA

ABANDITSI

Florine MUKESHIMANA
Arlette AKIMANA
Pétronie BUCUMI
J Baptiste Claude NIJIMBERE
Christine NAHIMANA

AMASANAMU

Richard NDAYISENGA
J Baptiste Claude NIJIMBERE